REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

**LOI N°1/18 DU 24 JUILLET 2023 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/08 DU 20 MAI 2021 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/17 DU 25 SEPTEMBRE 2007 PORTANT ORGANISATION DU SYSTEME STATISTIQUE NATIONAL AU BURUNDI**

---

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n°1/19 du 17 mai 2014 portant Ratification par la République du Burundi de la Charte Africaine de la Statistique ;

Vu la Loi n°1/27 du 29 décembre 2017 portant Révision du Code Pénal ;

Vu la Loi n°1/09 du 11 mai 2018 portant Modification du Code de Procédure Pénale ;

Revu la Loi n°1/08 du 20 mai 2021 portant Modification de la Loi n°1/17 du 25 septembre 2007 portant Organisation du Système Statistique au Burundi ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

**PROMULGUE :**

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**IBWIRIZWA INOMERO 1/18 RYO KU WA 24 MUKAKARO 2023 RIHINDURA IBWIRIZWA INOMERO 1/08 RYO KU WA 20 RUSAMA 2021 RITUNGANYA URWEGO RUHURIKIYEMWO IBISATA BIJEJWE GUTOROROKANYA IBIHARURO BIFATIRWAKO MU BURUNDI**

---

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/19 ryo ku wa 17 Rusama 2014 ryerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry'Amasezerano ya Afirika yerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/27 ryo ku wa 29 Kigarama 2017 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 11 Rusama 2018 rihindura Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 20 Rusama 2021 ritunganya urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu Burundi ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DE L'OBJET, DES DEFINITIONS ET DES PRINCIPES FONDAMENTAUX

### Section 1 : De l'objet

**Article 1 :**
La présente loi a pour objet de fixer l'organisation de l'activité statistique au Burundi. Elle définit les principes fondamentaux et le cadre institutionnel applicables au développement, à la production et à la diffusion des statistiques officielles, ainsi que les modalités de coordination du Système Statistique National (SSN).

Elle s'applique à toute personne physique ou morale désireuse de produire et de diffuser les données statistiques présentant l'image réelle du pays.

### Section 2 : Des définitions

**Article 2 :**
Au sens de la présente loi, on entend par :

1. **autorité statistique nationale,** un organe public chargé de la coordination technique des activités du Système Statistique National (SSN) ;
2. **avis d'éthique,** une autorisation écrite et obligatoire délivrée, sur demande, par le Comité National d'Ethique de la protection des êtres humains sujets de la recherche biomédicale et comportementale, à toute personne physique ou morale promotrice d'une enquête statistique ou recherche biomédicale et comportementale, et garantissant que cette enquête ou recherche souscrit aux principes de respect de la personne humaine, de bienfaisance et de justice internationalement reconnus ;

## IGICE CA I : INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA, INSIGURO Y'AMAJAMBO N'INGINGO NGENDERWAKO NYAMUKURU

### Agace ka 1 : Intumbero

**Ingingo ya 1 :**
Iri bwirizwa rifise intumbero yo gushiraho uburyo bw'ugutunganya igikorwa c'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako mu Burundi. Riratomora ingingo ngenderwako nyamukuru n'inzego zitegekanijwe n'amategeko zikoreshwa ku bijanye n'ugutunganya ibikorwa bijanye n'ugutororokanya n'ugutangaza ibiharuro bifatirwako vyemewe, hamwe n'urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu, (SSN mu mpfunyapfunyo y'igifaransa).

Riraba umuntu wese canke ishirahamwe ryose rishaka gutororokanya no gushira ahabona ibiharuro bifatirwako vyerekana ishusho nyayo y'igihugu.

### Agace ka 2 : Insiguro y'amajambo

**Ingingo ya 2 :**
Muri iri bwirizwa, amajambo akurikira asigura :

1. **igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako** ni urwego rwa Reta rushinzwe gukurikiranira hafi mu bijanye n'ubuhinga ibikorwa vy'Urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu (SSN mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ;
2. **urwandiko rwemeza ko amatohoza yisunga akarangamutima,** ni uruhusha rwanditse kandi rutegerejwe ruhabwa, bibanje gusabwa, na Komite y'igihugu ijejwe akarangamutima ko gukingira kiremwa muntu kigirwako ubushakashatsi bufise intumbero y'ukwongereza ubumenyi mu bijanye n'amagara y'abantu hamwe n'inyifato, umuntu wese canke ishirahamwe ryose rishaka kugira itohoza ryerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako canke ubushakashatsi bufise intumbero y'ukwongereza ubumenyi mu bijanye n'amagara y'abantu hamwe n'inyifato, rukizeza ko iryo tohoza canke ubwo bushakashatsi bigirwa hubahirijwe ingingo ngenderwako y'ukwubahiriza kiremwa muntu, iyerekeye gufasha abandi kubaho neza n'iyerekeye ubutungane zisungwa kw'isi yose ;

**3. diffusion statistique,** une mise à la disposition du public des produits statistiques, notamment les méthodologies, les données, les métadonnées, les résultats des analyses statistiques, etc., à l'exception des données confidentielles ; elle peut revêtir plusieurs formes telles que le papier, les supports électroniques et toute forme technologique autorisée par les textes en vigueur ;

3. **ugutangaza ibiharuro vyatororokanijwe bifatirwako,** ni ukumenyesha a banyagihugu ibiharuro bifatirwako nk'uburyo bwisungwa, ibiharuro bifatirwako, ibifasha mu gutahura ibiharuro, ivyavuye m'ukwihweza ibiharuro mfatirwako, n'ibindi, kiretse ibitororokanywa bitegerezwa kugumizwa mw'ibanga, bishobora gutangazwa biciye mu buryo bwinshi nko ku rupapuro, ibishirwako ibitororokanywa biciye mu buhinga ngurukanabumenyi hamwe n'ubundi buhinga bwose bwemewe n'amategeko asanzwe akurikizwa ;

**4. données statistiques,** des données chiffrées issues d'enquêtes, des recensements ou d'autres formes de recherches qu'elles soient traitées ou à l'état brut ;

4. **ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako,** ni ibitigiri vy'ivyatororokanijwe biva mu matohoza, mu nsansuma canke mu bundi buryo bwose bw'amatohoza vyaba ari ibimaze kwihwezwa canke ibikiri uko vyatororokanijwe ;

**5. enquête**, une opération technique qui consiste à élaborer des statistiques sur des sujets d'intérêt particulier; la collecte des données dans le cadre d'une enquête se base sur un échantillon tiré en respectant des méthodes et des procédures scientifiques bien définies et le tirage de cet échantillon doit permettre la généralisation des données ainsi collectées sur tout le pays ou sur toute entité territoriale d'où il a été tiré ;

5. **itohoza** ni igikorwa c'ubuhinga cerekeye gutororokanya ibiharuro bifatirwako ku bibazo nkoramutima kanaka, igikorwa c'ugutororokanya ibiharuro mu bijanye n'itohoza cisunga ibifatirwako akarorero bitorwa hubahirijwe uburyo n'ibikurikizwa mu vy'ubumenyi bitomorwa neza; ibifatirwako akarorero na vyo bigategerezwa gufasha gufatira muri rusangi ku vyatororokanijwe mu gihugu cose canke mu karere ako ari ko kose vyakuwemwo ;

**6. fournisseur de données,** une personne physique ou morale qui livre les données aux enquêteurs et qui sont, par la suite, intégrées dans une base de données; il peut également être le gestionnaire de base de données ayant la prérogative d'en extraire certaines informations à donner aux utilisateurs ;

6. **uwutanga ibiharuro vy'ivyatororokanijwe,** ni umuntu canke ishirahamwe riha abagira amatohoza ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bigaca bishirwa mw'iyegeranirizo ry'ibitororokanywa; ashobora kandi kuba uwujejwe gutunganya iyegeranirizo ry'ibitororokanywa akaba afise ububasha bwo gukuramwo inkuru zimwe zimwe ashikiriza abazikeneye ;

**7. indicateurs,** des mesures constituées des données numériques analysées permettant d'apprécier l'état ou l'évaluation d'un phénomène ;

7. **ibimenyetso,** ni ingero zigizwe n'ibiharuro vyihwejwe bituma umuntu abona urugero ikintu kanaka kigezeko canke arimbura urugero bigezeko mw'irangurwa ryaco ;

**8. information statistique,** un aspect d'une réalité quelconque exprimée en chiffre ;

8. **inkuru yerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako,** ni icashikirijwe ku kibazo kanaka kihari cerekanwa mu biharuro ;

**9. personne intéressée ou répondant**, une personne morale ou physique sur laquelle un rapport ou des renseignements sont demandés ou fournis ;

9. **uwerekewe n'inkuru canke uwayitanze,** ni ishirahamwe canke umuntu asabwa gutangwako icegeranyo canke kugirwako amatohoza canke uwo vyatanzweko ;

**10.producteur de données statistiques**, une personne qui collecte des observations et leur fait subir des traitements statistiques en vue de répondre à une question scientifique précise ou d'éclairer une décision bien définie généralement pour répondre aux besoins explicitement formulés au début de l'expérience ou de l'enquête ou une personne qui recueille des données destinées à être utilisées par un grand nombre de personnes en vue de répondre à des objectifs parfois très divers ;

**10.uwutororokanya ibiharuro bifatirwako,** ni umuntu atororokanya ibishikirizwa agaca yihweza ivyatororokanijwe mu ntumbero yo gutorera inyishu ikibazo kijanye n'ubuhinga kanaka canke gutanga umuco ku ngingo itomowe neza ahanini kugira haboneke ibikenewe vyari vyashikirijwe mu ntango y'ukugerageza ikintu canke y'ukukigirako itohoza canke ni umuntu atororokanya ibiharuro bigenewe gukoreshwa n'abantu benshi mu ntumbero yo gushika ku mahangiro rimwe na rimwe atandukanye cane ;

**11.recensement**, une enquête exhaustive portant sur tous les individus/sujets d'un ensemble d'éléments partageant une ou plusieurs caractéristiques qui servent à les regrouper en catégories sociales, économiques, culturelles, biologiques, etc. ;

**11.rusansuma,** ni itohoza riramvuye ryerekeye abantu bose/ibintu vyose bisangiye umugwi bifise ikintu kimwe canke vyinshi bihuriyeko bifasha mu kubishira mu migwi y'abantu, iyerekeye ubutunzi, imico kama, ibinyabuzima n'ibindi...;

**12. secret statistique,** un ensemble des dispositions visant la protection des personnes physiques ou morales contre l'utilisation de l'information obtenue lors des enquêtes qui laisserait entrevoir l'identité de la personne physique ou morale intéressée ;

**12.ukugumiza mw'ibanga ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako,** ni ingingo zose zifise intumbero y'ugukingira abantu canke amashirahamwe kugira ntihakoreshwe inkuru zatorokanijwe igihe c'amatohoza zotuma hamenyekana umuntu canke ishirahamwe zerekeye;

**13. statistique**, un ensemble des méthodes scientifiques visant à collecter des données de toutes natures, à recueillir, dépouiller, compiler, analyser, diffuser et archiver des renseignements relatifs aux phénomènes économiques, démographiques, sociaux, environnementaux et autres, ainsi qu'à en tirer des conclusions devant servir à la prise de décisions ;

**13.ubuhinga bw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako** ni ubuhinga butandukanye bufise intumbero yo gutororokanya ibiharuro bifatirwako vy'ubwoko bwose, kwegeranya, gusesangura, gushira hamwe, kwihweza, gutangaza no gushingura inkuru zijanye n'ivyaranguwe mu vyerekeye ubutunzi, irwirirana ry'abantu, imibano, ibidukikije n'ibindi hamwe no kwerekana ivyashitsweko bifasha mu gufata ingingo ;

**14. statistiques officielles,** un ensemble des statistiques produites, compilées et diffusées après validation par le système statistique national conformément aux dispositions y relatives et, consignées dans les programmes statistiques annuels et pluriannuels ;

**14.ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe,** n'ibiharuro bifatirwako vyose vyatororokanijwe, bikegeranywa bikongera bigatangazwa inyuma yukwemezwa n'urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu Burundi hisunzwe ingingo zivyerekeye kandi, bitegekanijwe mu migambi yo ku mwaka n'iyimara ikiringo c'imyaka myinshi ;

**15. Système Statistique National (SSN),** un ensemble des services statistiques (Autorité statistique nationale, services statistiques placés auprès des départements ministériels ou auprès des organismes publics et parapublics) qui produisent des statistiques officielles sur l'ensemble des domaines de la vie de la Nation ou ayant en charge la formation des statisticiens ou des démographes ;

**16. utilisateur des données statistiques,** un client du producteur qui cherche à satisfaire ses besoins en informations en consommant les données statistiques générées par le producteur; les utilisateurs sont entre autres les gouvernements, les chercheurs, les planificateurs, les universitaires, les entreprises du secteur privé, les organisations non gouvernementales et les institutions internationales ;

**17. visa statistique**, une autorisation écrite délivrée sur demande, sous forme de code alphanumérique, par le responsable de l'autorité statistique nationale, à toute personne physique ou morale désireuse d'entreprendre une enquête ou une recherche statistique, attestant de son opportunité et certifiant que son organisation et, le cas échéant, sa diffusion respectent les normes et méthodes reconnues internationalement, établies à l'avance et accessibles publiquement.

**Section 3 : Des principes fondamentaux**

**Article 3 :**
Les producteurs de statistiques officielles développent, produisent et diffusent les statistiques officielles du Burundi selon les principes fondamentaux de la statistique officielle et d'autres

15. **urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu,** ni ibisata vyose bijejwe gutororokanya ibiharuro mfatirwako (Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro mfatirwako bikukira ibisata vy'Ubushikiranganji butandukanye canke bikukira amashirahamwe ya Reta n'ayegamiye Reta bitororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe ku bijanye n'ibisata vyose vy'ubuzima bw'igihugu canke bijejwe gutanga inyigisho zihabwa abahinga mu vy'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako canke abahinga mu vyerekeye igwirirana ry'abantu ;

16. **uwukoresha ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako,** ni uwukorana n'uwutororokanya ibiharuro bifatirwako arondera gushika ku vyo akeneye bijanye n'inkuru mu gukoresha ibiharuro bifatirwako vyatororokanijwe n'uwubijejwe; abakoresha ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako ni nk'ama Reta, abashakashatsi, abategura imigambi, abanyeshure n'abigisha bo muri za kaminuza, amashirahamwe yo mu gisata c'abikorera utwabo, amashirahamwe ategamiye Reta, amashirahamwe mpuzamakungu ;

17. **uruhusha rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako** ni uruhusha rwanditse rutangwa n'uwuserukira igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, mu buryo bw'ikimenyetso banga kigizwe n'indome n'ibiharuro, akaruha umuntu wese canke ishirahamwe ryarusavye ryipfuza kugira itohoza canke ubushakashatsi bwerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, rukaba rwemeza ko bukenewe rukanemeza kw'itunganywa ryabwo, bibaye ngombwa, itangazwa ryabwo vyubahiriza amategeko yisungwa n'ubuhinga bikoreshwa ku rwego mpuzamakungu biba vyarashizweho kandi bifisweko uburenganzira na bose.

**Agace ka 3 : Ingingo ngenderwako**

**Ingingo ya 3 :**
Abatororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe baratunganya, bagatororokanya kandi bagashira ahabona ibiharuro bifatirwako vyemewe bikoreshwa mu Burundi bikagirwa hisunzwe ingingo ngenderwako

principes statistiques suivants :

1. **l'indépendance professionnelle** : les producteurs de statistiques officielles décident, en toute indépendance en dehors de toute pression et ingérence de la part de sources politiques ou autres sources extérieures, du développement, de la production et de la diffusion des statistiques, qu'il s'agisse du choix des sources de données, des concepts, des définitions, des méthodes et nomenclatures à utiliser, ou du calendrier et du contenu de toutes les formes de diffusion. Les producteurs de statistiques officielles, dans leurs domaines de compétence respectifs, peuvent s'exprimer publiquement sur des questions statistiques et sur tout usage abusif des statistiques officielles ;

2. **l'impartialité et l'objectivité** : les statistiques officielles doivent être développées, produites et diffusées d'une manière neutre, fiable et impartiale suivant des normes professionnelles et indépendamment de toute déclaration ou considération politique. Tous les utilisateurs ont accès simultanément et sur un même pied d'égalité aux statistiques officielles ;

3. **l'exactitude et la fiabilité** : les statistiques officielles doivent refléter d'une manière aussi fidèle, exacte et cohérente que possible la réalité, et reposer sur les critères scientifiques retenus pour le choix des sources, des méthodes et des procédures ;

zigenga itororokanywa ry'ibihano bifatirwako vyemewe n'izindi ngingo ngenderwako zerekeye ibiharuro bifatirwako bitororokanywa zikurikira:

1. **Ubwigenge mu gukora umwuga** : abatororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe barafata ingingo, mu bwigenge ntangere, ata gitsure baterwa n'abanyaporitike canke abandi bantu badakora muri uwo mwuga kandi batabinjirira mu kazi kabo, ku bijanye n'ugutunganya, ugutororokanya n'ugushira ahabona ibiharuro bifatirwako, haba mu kwihitiramwo ahava inkuru zijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, amajambo akoreshwa, insiguro y'amajambo, ubuhinga n'amazina bikoreshwa, canke ikirangamisi n'ibiba bigize ibiharuro bishirwa ahabona. Abatororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe, mu gisata umwumwe wese afisemwo ubumenyi n'ubushobozi, barashobora kwisigura ku mugaragaro ku bibazo bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe no kw'ikoreshwa ritabereye ry'ivyo biharuro ;

2. **Ukudahengama n'ukutarenganya** : ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe bitegerezwa gutunganywa, gutororokanywa no gushirwa ahabona ku buryo uwubikora ata ho yegamira, kuba vyizewe kandi ataho bihengamiye bigakorwa hisunzwe ibisanzwe bikurikizwa mu mwuga kandi hatarabwe ikindi cose gishikirizwa canke harabwe iciyumviro ca poritike. Abakoresha ivyo biharuro bose barafise uburenganzira bwo kubironkera rimwe kandi ku rugero rungana ;

3. **Ukuba bitomoye kandi vyizewe** : ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bitegerezwa kuba bihuye n'ukuri uko bishoboka kwose mu buryo bwizewe, butomoye neza kandi buroranye no gushingira ku bifatirwako bijanye n'ubushakashatsi vyashizweho mu guhitamwo ahava inkuru, ubuhinga bukoreshwa n'ibikurikizwa ;

4. **la cohérence et la comparabilité** : les statistiques officielles sont cohérentes au niveau international et permettent des comparaisons dans le temps et entre régions ou pays ;

5. **la clarté et la transparence** : les statistiques officielles doivent être présentées sous une forme claire et compréhensible; les méthodes et les procédures appliquées doivent être communiquées de manière transparente aux utilisateurs pour en faciliter une interprétation correcte ;

6. **le secret statistique et l'utilisation exclusive à des fins statistiques** : les données individuelles collectées ou obtenues par les producteurs de statistiques officielles, qu'elles concernent des personnes physiques ou morales, doivent être strictement confidentielles et ne doivent être utilisées qu'à des fins statistiques ;

7. **la pertinence** : les statistiques officielles répondent aux besoins actuels et émergents des utilisateurs et respectent le droit à l'information des citoyens.

4. **Ukuba biroranye kandi bishobora kugereranywa n'ibindi** : ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako biba biroranye n'ivyo ku rwego mpuzamakungu kandi bituma bishobora kugereranywa n'ibiharuro bitororokanywa bifatirwako hisunzwe ku gihe no hagati y'uturere canke hagati y'ibihugu ;

5. **Ugutahurika n'ugukorera ku mugaragaro** : ibiharuro vy'ibitororokanywa vyemewe bitegerezwa gushikirizwa mu buryo butomoye kandi butahurika kandi ubuhinga n'uburyo bukoreshwa bitegerezwa gushikirizwa kumugaragaro ababikoresha kugira vyorohe kubikoresha ku buryo bihabwa insiguro y'ukuri;

6. **Ukugumiza mw'ibanga ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako n'ukubikoresha ico bigenewe gusa** : ibitororokanywa bifatirwako vyerekeye umuntu umwe umwe canke ishirahamwe rimwe rimwe vyatororokanijwe canke vyegeranijwe n'abajejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe, vyaba ivyerekeye abantu canke amashirahamwe, bitegerezwa kugumizwa mw'ibanga no gukoreshwa ico vyagenewe gusa ;

7. **Ukuba nkenerwa** : ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe biba bihuye n'ivyo ababikoresha bakeneye muri ico gihe n'ibitanguye kwibonekeza kandi ivyo biharuro bikaba vyubahiriza uburenganzira bw'abenegihugu bw'ukumenyeshwa inkuru.

## CHAPITRE II : DE L'UTILITE, DES DOMAINES, DE LA QUALITE ET DES SOURCES DE DONNÉES DE LA STATISTIQUE

### Section 1 : De l'utilité des statistiques

**Article 4 :**
Les données statistiques et les indicateurs qu'elles permettent d'établir, doivent servir de base à la planification générale et à l'évaluation des stratégies de développement dans tous les secteurs de la vie de la Nation.

## IGICE CA II : AKAMARO K'IBIHARURO VY'IBITORORORKANYWA BIFATIRWAKO, IBISATA VYEREKEYE, INGENE BIBA BIMEZE N'AHO BIVA

### Agace ka 1 : Akamaro k'ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako

**Ingingo ya 4 :**
Ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako n'ibimenyetso ivyo biharuro bifasha kwerekana, bitegerezwa kwisungwa mu gutegura imigambi mikuru mikuru no mu gusuzuma imigambi irashe y'iterambere mu bisata vyose vy'ubuzima bw'igihugu.

## Section 2 : Des domaines des statistiques

**Article 5 :**
Les activités statistiques couvrent tous les domaines de la vie de la Nation, notamment :

1. les **domaines** démographique, social et culturel de la population ;
2. les **domaines** économique, financier, monétaire, commercial, industriel et infrastructurel ;
3. les **domaines** agro-pastoral et environnemental ;
4. les **domaines** judiciaire et policier.

## Section 3 : De la qualité des statistiques

**Article 6 :**
Les exigences de qualité de l'information statistique portent sur :

1. **la pertinence** : les statistiques officielles doivent répondre aux besoins des utilisateurs ;
2. **la pérennité** : les statistiques officielles doivent être conservées sous une forme aussi détaillée que possible afin d'en garantir l'utilisation par les générations futures, tout en préservant les principes de confidentialité et de protection des répondants ;
3. **l'exactitude et la fiabilité :** les statistiques officielles doivent refléter la réalité de façon exacte et fiable ;
4. **la continuité :** les autorités statistiques garantissent la continuité et la comparabilité dans le temps des informations statistiques ;

## Agace ka 2 : Ibisata vyerekeye

**Ingingo ya 5 :**
Ibikorwa bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako vyerekeye ibisata vyose bigize ubuzima bw'igihugu nk'ibi bikurikira :

1. Ibiranga igwirirana ry'abantu n'ivyerekana ingene babayeho n'imico kama ;
2. Ibitororokanywa vyerekeye ubutunzi, amafaranga akoreshwa mu gihugu, ingene ahanahanwa, ubudandaji, amahinguriro n'ivyubakwa ;
3. Ibitororokanywa bijanye n'uburimyi, ubworozi hamwe n'ibidukikije ;
4. Ibiharuro bitororokanywa bifatirwako mu butungane no mu giporisi.

## Agace ka 3 : Ingene ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako biba bimeze

**Ingingo ya 6 :**
Ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako bitegerezwa kuba bimeze uku gukurikira :

1. **ari nkenerwa :** ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bitegerezwa kuba bihuye n'ivyo ababikoresha bakeneye ;
2. **bimara igihe kirekire :** ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bitegerezwa gushingurwa uko bishoboka kwose mu buryo butomoye kugira bishobore gukoreshwa muri kazoza hatibagiwe ko ingingo ngenderwako z'ukubigumiza mw'ibanga n'ugukingira abatanga inkuru ziguma zubahirijwe ;
3. **birashe kandi vyizewe :** ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bitegerezwa kuba bihuye n'ukuri ku buryo burashe kandi bwizewe ;
4. **bibandanya gukoreshwa :** abategetsi bajejwe ivyerekeye gutororokanya ibiharuro bifatirwako baritwararika ko inkuru zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako zibandanya gukoreshwa kandi zishobora kugereranywa n'izindi hafatiwe ku zatororokanijwe muri kahise ;

5. **la cohérence et la comparabilité :** les statistiques officielles doivent présenter une cohérence interne et permettre la comparaison dans le temps et entre les régions ou les pays; à cette fin, il doit être possible de combiner et d'utiliser conjointement des données connexes provenant de sources différentes. Les concepts, classifications, terminologies et méthodes établis et reconnus au niveau international, doivent être utilisés ;

6. **la ponctualité :** les statistiques officielles doivent être diffusées en temps utile et, dans toute la mesure du possible, selon un calendrier annoncé à l'avance ;

7. **l'actualité :** les statistiques officielles doivent prendre en compte les événements courants et être d'actualité ;

8. **les spécificités :** les méthodes de production et d'analyse de l'information statistique doivent tenir compte des spécificités africaines et nationales.

**Section 4 : Des sources de données**

**Article 7 :**
Les données utilisées à des fins statistiques peuvent être tirées de diverses sources, qu'il s'agisse de recensements, d'enquêtes statistiques et/ou de fichiers administratifs.

Les données obtenues à l'issue d'un dénombrement administratif tiennent lieu de statistiques.

5. **biroranye kandi bishobora kugereranywa n'ibindi :** ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako bitegerezwa kuba biroranye n'aho vyatororokanirijwe kandi bituma hashobora kugereranywa ibiharuro bitororokanywa bifatirwako hisunzwe ku gihe no hagati y'uturere canke hagati y'ibihugu; kubera ivyo, bitegerezwa gushoboka ko bish irwa hamwe no gukoreshereza rimwe ibit ororokanywa bifitaniye isano biva ahatandukanye. Hategerezwa gukoreshwa amajambo nyamukuru, uburyo bw'ugushingura mu mirwi ibitororokanywa, amajambo akoreshwa n'ubuhinga vyashinzwe kandi vyemewe ku rwego mpuzamakungu ;

6. **bishikirizwa ku gihe :** ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bitegerezwa gushirwa ahabona mu mwanya ubereye, uko bishoboka kwose, hisunzwe ikirangamisi kiba catangajwe imbere y'igihe ;

7. **bihuye n'igihe kigezweho :** ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bitegerezwa gufatira ku bikunda gushika kandi bihuye n'ibihe bigezweho ;

8. **bifise ico vyisangije :** ubuhinga bw'ugutororokanya n'ukwihweza ibiharuro bitororokanywa bifatirwako butegerezwa gufatira ku vyo Afirika n'igihugu vyisangije.

**Agace ka 4 : Ahava ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako**

**Ingingo ya 7 :**
Ivyatororokanijwe bikoreshwa nk'ibiharuro bifatirwako bishobora kuva ahantu hatandukanye, haba muri rusansuma, mu matohoza y'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako no mu mafishi akoreshwa mu ntwaro canke bikava hamwe muri aho.

Ivyatororokanijwe vyabonetse mu gihe abajejwe intwaro batororokanije ibiharuro bijanye n'ubuzima bw'abantu bo mu mugwi kanaka na vyo nyene birafatirwako.

**Article 8 :**

Les organismes responsables de la statistique doivent choisir leur source en tenant compte de la qualité des données qu'elle peut fournir, de leur actualité, particulièrement, de la charge qui pèse sur les répondants et les coûts sur les donateurs.

**Ingingo ya 8 :**

Amashirahamwe ajejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako ategerezwa guhitamwo aho akura ibitororokanywa afatiye ku kugene ibitororokanywa ashobora kuronka biba bimeze, ko bijanye n'igihe kigezweho, na cane cane, ibishobora kuremera abatanga inkuru n'uburyo butangwa n'albafasha ayo mashirahamwe.

**Article 9 :**

L'utilisation par les autorités statistiques des fichiers administratifs à des fins statistiques doit être garantie par la loi sous réserve de confidentialité.

**Ingingo ya 9 :**

Mu gihe abategetsi bajejwe ivyerekeye gutororokanya ibiharuro bifatirwako bakoresheje amafishi akoreshwa mu ntwaro kugira baronke ibiharuro bifatirwako bategerezwa kubikora bisunze amategeko hatirengagijwe ko bategerezwa kubigumiza mw'ibanga.

**CHAPITRE III : DE L'ORGANISATION DU SYSTEME STATISTIQUE NATIONAL (SSN)**

**IGICE CA III : INGENE URWEGO RUHURIKIYEMWO IBISATA BIJEJWE GUTOROROKANYA IBIHARURO BIFATIRWAKO MU GIHUGU (SSN) RUTUNGANIJWE**

**Section 1 : Des composantes du Système Statistique National (SSN)**

**Agace ka 1 : Ibigize urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu (SSN)**

**Article 10 :**

Le Système Statistique National (SSN) comprend :

1. le Comité National de l'Information Statistique (CNIS) ;
2. le Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS) ;
3. l'autorité statistique nationale qui assure en même temps le secrétariat technique permanent du Comité National de l'Information Statistique et la présidence du Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS) ;
4. les services chargés d'élaborer des données statistiques placés auprès des départements ministériels, des organismes publics et parapublics ;

**Ingingo ya 10 :**

Urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako (SSN) rugizwe na :

1. Komite y'igihugu ijejwe gutororokanya inkuru zerekeye ibiharuro bifatirwako, CNIS mu mpfunyapfunyo y'igifaransa ;
2. Komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako, CTIS mu mpfunyapfunyo y'igifaransa ;
3. Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako kijejwe igikorwa c'ubunyamabanga ntayegayezwa bwa Komite CNIS mu bijanye n'ubuhinga kikaba ari na co kirongora Komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako (CTIS) ;
4. Ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyashizwe mu bushikiranganji butandukanye, mu mashirahamwe ya Reta no mu mashirahamwe yegamiye Reta ;

5. les écoles, les institutions nationales et les centres de formation statistique ou démographique.

5. Amashure, ibisata vy'igihugu n'ibigo bitanga inyigisho zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako can ke izerekeye igwirirana ry'abantu.

**Paragraphe 1 : Du Comité National de l'Information Statistique (CNIS), du Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS) et de l'autorité statistique nationale**

**Agahimba ka 1 : Komite y'igihugu ijejwe gutororokanya inkuru zerekeye ibiharuro bifatirwako (CNIS), Komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'itororokanywa bifatirwako (CTIS) n'igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako**

**Article 11 :**
Le Comité National de l'Information Statistique, (CNIS) est un organe consultatif national du système statistique au Burundi.

Toutefois, le Comité National d'Information Statistique dispose d'un pouvoir de décision sur la diffusion des statistiques de souveraineté nationale.

Ses attributions, sa composition et ses règles de fonctionnement sont fixées par décret.

**Ingingo ya 11 :**
Komite y'igihugu ijejwe gutororokanya inkuru zerekeye ibiharuro bifatirwako, CNIS mu mpfunyapfunyo y'igifaransa ni urwego mpanuzwajambo ku rwego rw'igihugu ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu Burundi.

Ariko rero, Komite y'igihugu ijejwe gutororokanya inkuru zerekeye ibiharuro bifatirwako irafise ububasha bwo gufata ingingo kuvyerekeye gushira ahabona ibiharuro bijanye n'ubwigenge bw'igihugu ;

Imirimo iyo Komite ishinzwe, abayigize n'amategeko agenga ingene ikora bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

**Article 12 :**
Le Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS) est un organe chargé d'apporter un appui technique au Comité National de l'Information Statistique (CNIS).

La composition et les prérogatives du Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS) sont définies dans le décret portant création, attributions, composition et règles de fonctionnement du Comité National de l'Information Statistique (CNIS).

**Ingingo ya 12 :**
Komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako (CTIS) ni urwego rushinzwe kwunganira mu vy'ubuhinga Komite y'igihugu ijejwe gutororokanya inkuru zerekeye ibiharuro bifatirwako (CNIS).

Abagize Komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'itororokanywa bifatirwako (CTIS) n'ububasha bwayo bitomorwa mw'itegeko ry'Umukuru w'igihugu rishiraho Komite y'igihugu ijejwe gutororokanya inkuru zerekeye ibiharuro bifatirwako (CNIS), imirimo ijejwe, abayigize n'amategeko agenga ingene ikora.

**Article 13 :**
L'autorité statistique nationale est un organe qui assure la coordination technique des activités du Système Statistique National (SSN).

**Ingingo ya 13 :**
Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vy'urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako (SSN mpfunyapfunyo y'igifaransa).

La dénomination, le statut, les attributions et règles de fonctionnement de l'autorité statistique nationale sont définis par décret.

Izina ry'igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, ingene gitunganijwe, ibikorwa gishinzwe n'amategeko agenga ingene gikora bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

**Paragraphe 2 : Des services chargés d'élaborer des données statistiques placés auprès des départements ministériels, des organismes publics et parapublics**

**Agahimba ka 2 : Ibindi bisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyo mu bushikiranganji butandukanye, mu mashirahamwe ya Reta no mu yegamiye Reta**

**Article 14 :**
Les services chargés d'élaborer des données statistiques sont les services centraux de statistiques des ministères et les structures statistiques périphériques.

Les attributions et règles de fonctionnement de ces services sont définies dans le cadre des attributions des départements ministériels et organismes auprès desquels ils sont placés ou par des textes spécifiques.

**Ingingo ya 14 :**
Ibindi bisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako ni ibisata vyo mu burongozi bw'ubushikiranganji butandukanye bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako n'ibindi bisata bibikukira.

Ibikorwa ivyo bisata bijejwe n'amategeko agenga ingene bikora bitomorwa mu mategeko agenga ibikorwa vy'ibisata vy'ubushikiranganji n'amashirahamwe ivyo bisata birimwo canke bigatomorwa n'amategeko abigenga.

**Article 15 :**
Les services centraux de statistiques des ministères couvrent notamment les statistiques démographiques et sociales, les statistiques de l'administration judiciaire et policière, les statistiques économiques, financières, monétaires, commerciales, industrielles et infrastructurelles, les statistiques du développement rural et environnementales de leur ressort.

**Ingingo ya 15 :**
Ibisata vyo mu burongozi bw'ubushikiranganji butandukanye bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako bitororokanya cane cane, kimwe kimwe cose mu vyo gifitiye ububasha, ibiharuro bijanye n'igwirirana ry'abantu n'ivyerekeye imibano, ibijanye n'ubutungane n'igiporisi, ibijanye n'ubutunzi, amafaranga akoreshwa mu gihugu, ingene ahanahanwa, ubudandaji, amahinguriro n'ivyubakwa, ibijanye n'iterambere ry'ahatari mu bisagara n'ibiharuro bifatirwako vyerekeye ibidukikije.

**Article 16 :**
Les structures statistiques périphériques comprennent les services statistiques des administrations déconcentrées, décentralisées et ceux des entreprises publiques et parapubliques.

**Ingingo ya 16 :**
Ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako bikukira ibisata vyo mu burongozi bwo mu bushikiranganji bigizwe n'ibisata bijejwe ico gikorwa vyo mu bisata vy'ubushikiranganji bikwiragijwe mu gihugu, ivyegerejwe abanyagihugu hamwe n'ibisata bijejwe ico gikorwa nyene, vy'amashirahamwe ya Reta n'ivy'ayegamiye Reta.

**Paragraphe 3 : Des institutions nationales, des écoles et des centres de formation statistique ou démographique**

**Article 17 :**
Des institutions nationales, des écoles et des centres de formation spécialisés en statistique ou en démographie peuvent être créés aux fins d'améliorer le fonctionnement des activités du Système Statistique National (SSN) et en fonction des besoins du pays.

**Section 2 : De la responsabilité des composantes du Système Statistique National**

**Article 18 :**
Dans l'exercice de leurs missions de production et de diffusion des données statistiques, les composantes du Système Statistique National (SSN) se conforment à la présente loi ainsi qu'aux principes fondamentaux de la statistique officielle, notamment le respect du secret statistique ainsi que le respect des normes, des méthodes et des concepts utilisés sur le plan international en matière statistique.

**Article 19 :**
La collecte, le traitement et la diffusion des données statistiques officielles pour les besoins de l'Etat relèvent des services et des établissements composant le Système Statistique National (SSN).

Le dépositaire des statistiques officielles est le responsable de l'autorité statistique nationale. C'est lui qui autorise leur accès pour un domaine bien précis.

Les données statistiques officielles ne peuvent être diffusées que par les services les ayant produites après avis du Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS).

Les données statistiques de souveraineté nationale, indiquées dans les programmes et plans de production statistique, ne sont diffusées qu'après approbation du Comité National de l'Information Statistique (CNIS).

**Agahimba ka 3 : Ibisata vy'igihugu, amashure n'ibigo bitanga inyigisho zerekeye gutororokanya ibiharuro bifatirwako canke izerekeye igwirirana ry'abantu**

**Ingingo ya 17 :**
Ibisata vy'igihugu, amashure, n'ibigo bitanga inyigisho zerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako canke izijanye n'igwirirana ry'abantu birashobora gushirwaho mu ntumbero yo gutuma ibikorwa vy'urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu (SSN) birangurwa neza kuruta kandi hafatiwe ku vyo igihugu gikeneye.

**Agace ka 2 : Ivyo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako bibazwa**

**Ingingo ya 18 :**
Mu kurangura imirimo bishinzwe yerekeye ugutororokanya n'ugutangaza ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako, ibisata bigize Urwego SSN vyisunga iri bwirizwa n'ingingo ngenderwako mu gutororokanya ibiharuro bifatirwako zemewe, na cane cane ukugumiza mw'ibanga ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako hamwe n'ukwubahiriza amategeko yisungwa, ubuhinga n'amajambo nyamukuru bikoreshwa ku rwego mpuzamakungu mu vyerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako.

**Ingingo ya 19 :**
Ibisata n'amashirahamwe bigize Urwego SSN ni vyo bijejwe gutororokanya, kwihweza no gutangaza ibiharuro bifatirwako vyemewe bijanye n'ivyo Reta ikenera.

Uwujejwe ibiharuro vyatororokanijwe bifatirwako vyemewe ni Umushikiranganji ashinzwe ibiharuro bitororokanywa bifatirwako. Ni we atanga uruhusha rw'ukuronka ivyo mu gisata kanaka.

Ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe bishobora gutangazwa gusa n'ibisata vyabitororokanije, Komite CTIS imaze kugira ico ibivuzeko.

Ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyerekeye ubwigenge bw'igihugu bitangazwa ari uko Komite CNIS ibanje kuvyemera.

**Article 20 :**

La publication des données statistiques officielles s'inscrivant dans le cadre d'un programme annuel est soumise à la validation du Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS).

Cependant, les institutions qui ont, dans leurs activités, la production des données statistiques à partir des enquêtes revêtues d'un visa statistique, peuvent publier les informations statistiques infra-annuelles sans être préalablement soumises à la validation du Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS).

## CHAPITRE IV : DE L'ORGANISATION DE LA PRODUCTION DES STATISTIQUES OFFICIELLES

### Section 1 : Des programmes et des plans de production statistique

**Article 21 :**

La production des statistiques officielles s'effectue dans le cadre des plans annuels et programmes pluriannuels de statistique qui reprennent l'ensemble des opérations à mener au cours de la période concernée, notamment les opérations nationales de collecte de données statistiques.

Chaque programme indique la stratégie de sa réalisation, les résultats attendus, les différents intervenants et l'évaluation des financements y relatifs ainsi que les sources de financement.

Le système statistique national est doté des ressources humaines, financières et matérielles adéquates nécessaires à la mise en œuvre des programmes et plans de production statistique.

**Ingingo ya 20 :**

Ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe bitangazwa nk'uko bitegekanijwe mu mugambi wo ku mwaka bibanje kwemezwa na Komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako (CTIS).

Ariko, amashirahamwe mu vyo akora harimwo ugutororokanya ibiharuro bifatirwako biciye mu matohoza yahawe uruhusha rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako arashobora gutangaza umwaka utararangira inkuru zerekeye ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako bitarinze kubanza kwemezwa na Komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako (CTIS).

## IGICE CA IV : IVYEREKEYE UGUTUNGANYA ITOROROKANYWA RY'IBIHARURO BIFATIRWAKO VYEMEWE

### Agace ka 1 : Imigambi n'indinganizo vyerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako

**Ingingo ya 21 :**

Ibiharuro bifatirwako vyemewe bitororokanywa nk'uko bitegekanijwe mu ndinganizo zo ku mwaka no mu migambi imara ikiringo c'imyaka myinshi, izo ndinganizo n'iyo migambi bikaba birimwo ibikorwa vyose birangurwa mu kiringo vyerekeye, na cane cane ibikorwa vyo ku rwego rw'igihugu vyerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako.

Umugambi umwumwe wose urerekana ingene ushirwa mu ngiro, ivyitezwe gushikwako, abazogira uruhara muri uwo mugambi batandukanye n'ingene hasuzumwa uko amafaranga aja araboneka muri uwo mugambi hamwe n'aho ashobora kuva.

Ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu Burundi bihabwa abakozi, uburyo n'ibikoresho bikenewe kandi bikwiye kugira hashirwe mu ngiro imigambi n'indinganizo vyerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako.

**Article 22 :**
Toute enquête ou recherche statistique dont les résultats sont représentatifs au niveau national, provincial, communal ou zonal est sujette au visa statistique délivré par le responsable de l'autorité statistique nationale sur avis d'opportunité et de conformité du Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS) ainsi que l'avis d'éthique, le cas échéant.

Le visa statistique est facultatif pour les travaux statistiques d'ordre strictement intérieur à une administration, à un projet ou à un programme et ne faisant pas objet de diffusion ainsi que ceux conduits dans le cadre des formations académiques.

Les résultats de toute enquête ou recherche statistique n'ayant pas obtenu le visa statistique n'engagent pas la responsabilité du Système Statistique National.

La demande du visa statistique est faite par la personne responsable de l'enquête ou recherche concernée et adressée au responsable de l'autorité statistique nationale.

Toute enquête ou recherche ayant obtenu le visa statistique est rendue publique par l'autorité statistique nationale.

Les modalités et conditions d'obtention du visa statistique sont fixées par une ordonnance du Ministre ayant les statistiques dans ses attributions et sont accessibles publiquement.

**Ingingo ya 22 :**
Amatohoza canke ubushakashatsi bwerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako bivamwo ku rwego rw'igihugu, ku rwego rw'intara canke ku rw'ikomine, busabirwa uruhusha rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako rutangwa n'uwuserukira igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, Komite CTIS imaze kwemeza ko bikenewe kandi ko vyisunga amategeko na Komite y'igihugu ijejwe akarangamutima imaze kwemeza ko ayo matohoza yisunga akarangamutima.

Urwandiko rw'ugusaba uruhusha rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako singombwa ko rusabwa ku bikorwa vyo gutororokanya ibiharuro mfatirwako bijanye n'ico gisata canke n'umugambi bidashirwa ahabona canke ibikorwa bijanye n'ubushakashatsi bw'inyigisho mu mashure.

Ibizoba vyavuye mw'itohoza ryerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako ritaronse urwandiko rw'ugusaba uruhusha rw'ukubitororokanya ntivyega ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu Burundi.

Urwandiko rw'ugusaba uruhusha rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako rutegurwa n'uwujejwe iryo tohoza rugashikirizwa uwujejwe igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako.

Itohoza ryose ryaronkejwe urwandiko rw'ugusaba uruhusha rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako rishirwa ahabona n'igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako.

Ibikurikizwa n'uburyo bwokuronka urwandiko rw'ugusaba uruhusha rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako bishingwa n'itegeko ry'Umushikiranganji muvyo ajejwe harimwo ibiharuro mfatirwako bigashirwa ahabona kandi bikaronswa uwubikeneye wese.

## Section 2 : Des méthodes d'élaboration des statistiques et de l'information

**Article 23 :**
Les services relevant du Système Statistique National (SSN) accomplissent leurs missions conformément aux règles méthodologiques et techniques communément admises en matière d'élaboration des statistiques officielles et jouissent de l'indépendance scientifique.

## Agace ka 2 : Ubuhinga bw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako n'ubw'ugutegura inkuru bijanye

**Ingingo ya 23 :**
Ibisata bihurikiye mu Rwego SSN birangura imirimo yavyo vyisunze amategeko akurikizwa hamwe n'ubuhinga bisanzwe vyemewe mu bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe kandi bikabikora hubahirijwe ubwigenge mu vy'ubushakashatsi.

Ils établissent les statistiques officielles selon les critères permettant leur utilisation pratique et qui les rendent disponibles et accessibles à tous les citoyens en toute objectivité et impartialité.

**Article 24 :**
Les personnes physiques et morales assujetties aux opérations de collecte de données statistiques doivent être informées par les moyens appropriés du cadre légal et institutionnel dans lequel l'activité statistique est réalisée.

Elles sont également informées des objectifs poursuivis par ces opérations, de la finalité des données collectées, des méthodes de collecte et de traitement des données, des supports et du calendrier de diffusion des données collectées ainsi que des dispositions adoptées pour assurer et garantir la confidentialité et la protection des informations individuelles.

**Article 25 :**
Les services relevant du Système Statistique National (SSN) décident librement des sources de collecte de données de base pour la production des statistiques officielles en tenant compte des coûts de collecte et de la charge des répondants.

Les sources de données de base et les méthodes de leur traitement doivent permettre la production, par des méthodes scientifiques éprouvées et adaptées, des statistiques officielles comparables aux standards internationaux.

**Article 26 :**
Les fournisseurs de données administratives doivent communiquer gratuitement les données requises aux fins de la production statistique, au niveau de détail nécessaire et avec les métadonnées pertinentes comme le prévoit le programme statistique annuel.

Ivyo bisata biratomora ibiharuro vy'ivyatororokanijwe vyemewe hisunzwe ibifatirwako bituma vyoroha gukoreshwa kandi bikaboneka, abenegihugu bose bagashobora kubironka igihe cose babikeneye ata wurenganijwe kandi ata guhengama.

**Ingingo ya 24 :**
Abantu n'amashirahamwe berekewe n'ibikorwa vy'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako bategerezwa kubimenyeshwa biciye mu buryo bubereye bujanye n'amategeko agenga ivyo bikorwa hamwe n'inzego birangurirwamwo.

Baramenyeshwa kandi intumbero z'ivyo bikorwa, ico ibiharuro vy'ibitororokanywa bizokoreshwa, ubuhinga bukoreshwa mu kubitororokanya no mu kuvyihweza, ibikoresho bishirwako n'ikirangaminsi c'ugutangaza ibiharuro vy'ivyatororokanijwe hamwe n'ingingo zafashwe kugira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu bigumizwe mw'ibanga vyongere bikingirwe.

**Ingingo ya 25 :**
Ibisata bihurikiye mu Rwego SSN birafata ingingo mu bwigenge aho bikura ivyatororokanijwe bikoresha mu kugira ibiharuro bifatirwako vyemewe hafatiwe ku kuburyo bwokoreshwa mu kubitororokanya n'ibishobora kuremera abatanga inkuru.

Ahava ibitororokanywa hamwe n'ubuhinga bukoreshwa mu kuvyihweza bitegerezwa gutuma vyoroha gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe, hakoreshejwe ubuhinga bwo mu bushakashatsi bwamaze gukoreshwa ahandi kandi bujanye n'ibitororokanywa bumeze n'ubukoreshwa ku rwego mpuzamakungu.

**Ingingo ya 26 :**
Abatanga inkuru zatororokanijwe zijanye n'ivy'intwaro bategerezwa kuzitanga ata mafaranga basavye mu ntumbero y'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, ku rugero rw'ibikenewe mw'ido n'ido ryavyo n'ibifasha mu kubitahura nk'uko bitegekanywa mu mugambi w'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako ku mwaka.

## Section 3 : De la publication, de l'accès et de la diffusion des données statistiques

**Article 27 :**
La publication des statistiques officielles est accompagnée de métadonnées suffisantes et à jour. Elle s'accompagne également de commentaires explicatifs rédigés par le producteur responsable afin de permettre aux utilisateurs de comprendre les statistiques en question.

L'accès aux statistiques officielles, en tant que bien public, est gratuit au moins pour les principaux résultats et pour une forme de publication minimale.

Tous les utilisateurs, y compris les pouvoirs publics, ont accès aux données officielles en même temps, dans les mêmes conditions. Ils ne peuvent pas y avoir accès avant la publication.

L'utilisateur auquel est accordé l'accès avant publication signe une déclaration d'embargo. Le public est informé des modalités selon lesquelles certains organismes ont accès aux statistiques officielles avant leur publication.

**Article 28 :**
Les utilisateurs ont un libre accès aux statistiques officielles sans aucune restriction.

Les services relevant du Système Statistique National (SSN) s'assurent que les statistiques officielles, résultats de leurs travaux tels que prévus dans les programmes et les plans de travail en matière statistique, sont accessibles à tous les usagers sur les supports appropriés.

Ils publient, à cet effet, un calendrier de diffusion lorsqu'il s'agit de résultats d'enquêtes et de recensements statistiques ainsi que des travaux dont les résultats sont régulièrement mis à la disposition des utilisateurs.

## Agace ka 3 : Ukumenyekanisha ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako, ukubironka n'ukubitangaza

**Ingingo ya 27 :**
Urwandiko rw'ukumenyekanisha ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe ruba ruri kumwe n'ibifasha mu kubitahura bikwiye kandi biri ku gihe. Urwo rwandiko ruba ruri kumwe kandi n'inzandiko zibisigura zitegurwa n'uwutororokanya ibiharuro bifatirwako abibazwa kugira bitume ababikoresha batahura neza ivyo biharuro .

Uwukeneye ibiharuro vy'ivyatororokanijwe vyemewe, kubera ko bifatwa nk'itunga rikoreshwa ku neza ya bose, abironka ata mafaranga arishe n'imiburiburi ku vyatororokanijwe nyamukuru kandi bukaba ari n'uburyo bw'ukubimenyekanisha bubayabaye.

Abo bose bakoresha ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe, harimwo n'inzego za Reta, bafise uburenganzira bwo kubironswa mu gihe kimwe no mu buryo bumwe. Ariko, ntibashobora kubironswa imbere yuko bimenyekanishwa.

Uwukoresha ivyo biharuro abihawe imbere yuko bimenyekanishwa arashira umukono ku rwandiko yiyemeza ko atazobishira ahabona imbere yuko bimenyekanishwa. Abanyagihugu baramenyeshwa ibikurikizwa kugira amashirahamwe amwamwe aronswe ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe imbere yuko bimenyekanishwa.

**Ingingo ya 28 :**
Abakoresha ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe bafise uburenganzira bw'ukubironswa ata ntambamyi.

Ibisata bihurikiye mu Rwego SSN biritwararika kuraba ko ibiharuro vy'ivyatororokanijwe vyemewe, vyavuye mu bikorwa vyavyo nk'uko bitegekanijwe mu migambi no mu ndinganizo z'ibikorwa mu bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, bironswa ababikenera bose biri ku bikoresho bibikwako bibereye.

Kubera ivyo, ibisata bihurikiye mu Rwego SSN biramenyekanisha ikirangamisi c'ugutangaza ibiharuro vy'ivyatororokanijwe igihe ari ivyavuye mu matohoza no mu rusansuma rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako hamwe no mu bikorwa bivamwo ibitororokanywa bija birashirwa ahabona kugira ababikenera babironke.

**Article 29 :**
Les producteurs de statistiques officielles respectifs, peuvent s'exprimer publiquement sur des questions statistiques, dans leurs domaines de compétences.

CHAPITRE V : DE LA PROTECTION DES DONNEES INDIVIDUELLES

**Section 1 : Du secret statistique et de la confidentialité des données**

**Article 30 :**
Avant d'entrer en fonction, les cadres des services du Système Statistique National (SSN) prêtent le serment suivant devant le Ministre ayant la statistique dans ses attributions ou son délégué :

« **Moi (Nom et Prénom), je jure solennellement d'exercer fidèlement et honnêtement mes fonctions en conformité avec les prescriptions de la loi, de ne révéler, ni faire connaître, sans y être dûment autorisé, rien de ce qui parviendra à ma connaissance du fait de mes fonctions** ».

**Article 31 :**
Les données individuelles recueillies par les services et organismes relevant du Système Statistique National (SSN), dans le cadre d'enquêtes ou de tout autre type de collecte, sont couvertes par le secret statistique.

Toutefois, les micro-données peuvent être mises à la disposition des utilisateurs à condition que la confidentialité sur les données individuelles soit sauvegardée.

La diffusion de ces données ne doit pas permettre l'identification directe ou indirecte des personnes physiques ou morales concernées.

**Ingingo ya 29 :**
Abatororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe, barashobora kwisigura ku mugaragaro ku bibazo bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, umwumwe wese mu gisata afisemwo ubumenyi n'ubushobozi.

IGICE CA V: IVYEREKEYE UGUKINGIRA IBIHARURO VY'IVYATORORKOKANIJWE VYEREKEYE UMUNTU UMWUMWE

**Agace ka 1 : Ukugumiza mw'ibanga ibiharuro bitororokanywa bifatirwako n'ukubishikiriza abo bigenewe gusa**

**Ingingo ya 30 :**
Imbere yuko abakozi bakurubakuru bo mu bisata bihurikiye mu Rwego SSN binjira mu mabanga, bararahira imbere y'Umushikiranganji ajejwe ivyerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako canke imbere y'intumwa yiwe uku gukurikira :

« **Jewe (Izina n'itazirano), ndarahiye ku mugaragaro ko nzorangura amabanga njejwe uko bitegerejwe kandi mu bwizigirwa nisunze ibitegekanijwe n'ibwirizwa ryerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, ko ntazoshira ahabona canke ngo menyeshe, ntabirekuriwe n'amategeko, ikintu na kimwe nzomenya kubera amabanga ndimwo** ».

**Ingingo ya 31 :**
Ibiharuro vy'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu umwumwe vyegeranijwe n'ibisata hamwe n'amashirahamwe bihurikiye mu Rwego SSN, mu kugira amatohoza canke ubundi buryo ubwo ari bwo bwose bw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, bitegerezwa kugumizwa mw'ibanga ryerekeye ibiharuro bitororokanywa bifatirwako.

Ariko, ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako bitarihwezwa bishobora kuronswa ababikoresha ari uko ingingo y'uko ibitororokanywa vyerekeye umuntu umwumwe bishikirizwa abo bigenewe gusa iguma yubahirijwe.

Ivyo biharuro bitangazwa ku buryo abantu canke amashirahamwe vyerekeye badaca bamenyekana canke ngo bamenyekane biciye mu bundi buryo.

**Article 32 :**
Les bases de données protégées portant sur les individus et les autres institutions sont accessibles aux chercheurs qui, en contrepartie, s'engagent par signature d'une convention à ne pas communiquer à des tierces personnes le contenu de ces bases de données.

**Article 33 :**
L'autorité statistique nationale peut constituer et mettre à la disposition du public, chaque année et chaque fois que de besoin, un répertoire des entreprises reprenant au moins les informations relatives au nom, à l'adresse, au type d'activité, au nombre d'employés et au statut juridique.

**Section 2 : Des interdictions particulières**

**Article 34 :**
Il est interdit à tout agent d'un service statistique de divulguer les informations d'une personne physique ou morale reçues pendant l'exercice ou à l'occasion de ses fonctions.

Le secret statistique ne porte pas sur les informations d'une entreprise ou d'un établissement, déjà publiées ou disponibles sur une base de données accessibles au grand public ou encore pour lesquelles la personne physique ou morale a donné son consentement écrit pour leur publication.

**Article 35 :**
Les données individuelles issues des enquêtes et des recensements statistiques ne peuvent être utilisées à d'autres fins que celles de diffuser ou de publier des résultats statistiques agrégés. Les données relatives à une personne physique ou morale ne peuvent en aucun cas être utilisées à des fins de contrôle fiscal, de répression économique ou d'investigation judiciaire.

**Ingingo ya 32 :**
Abashakashatsi barafise uburenganzira bw'ugukoresha iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe rikingiwe ryerekeye abantu n'ayandi mashirahamwe, na bo bakiyemeza biciye mu gushira umukono ku masezerano ko batazomenyesha abandi bantu ibiri muri iryo yegeranirizo ry'ivyatororokanijwe.

**Ingingo ya 33 :**
Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako kirashobora gushiraho no kwereka abanyagihugu, ku mwaka ku mwaka no mu gihe biba bikenewe, itororokanirizo ry'amashirahamwe, rikaba ririmwo n'imiburiburi inkuru zijanye n'izina ry'ishirahamwe rimwe rimwe ryose, aho ribarizwa, ubwoko bw'ibikorwa rirangura, igitigiri c'abakozi rifise n'ingene rifatwa imbere y'amategeko.

**Agace ka 2 : Ibibujijwe bijanye n'ibitororokanywa**

**Ingingo ya 34 :**
Birabujijwe ko umukozi uwo ari we wese w'igisata kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako akwiragiza inkuru yamenye zerekeye umuntu canke ishirahamwe mu kiringo ariko ararangura imirimo yiwe canke kubera iyo mirimo.

Ingingo y'ukugumiza mw'ibanga ivyatororokanijwe ntiyerekeye inkuru z'ishirahamwe canke z'ikigo zamaze kumenyekanishwa canke zisanzwe ziri mw'iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe, abantu benshi bafiseko uburenganzira canke mbere umuntu canke ishirahamwe vyerekeye batanze uburenganzira biciye mu rwandiko ko vyomenyekanishwa.

**Ingingo ya 35 :**
Ibitororokanywa ku muntu umwumwe biva mu matohoza no mu rusansuma rw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako bishobora gukoreshwa gusa mu gutangaza no mu kumenyekanisha ivyavuye mu vyatororokanijwe vyemejwe. Ivyatororokanijwe ku muntu umwumwe canke kw'ishirahamwe rimwerimwe ntivyigera bikoreshwa na rimwe mu gusuzuma ibijanye n'amakori n'amatagisi, ugutohoza mu bijanye n'ubutunzi canke mu vyerekeye ubutungane.

## CHAPITRES VI : DE L'OBLIGATION DES REPONDANTS AUX ENQUETES ET AUX RECENSEMENTS STATISTIQUES

**Article 36:**
Les personnes physiques et morales soumises aux enquêtes et aux recensements statistiques sont tenues de répondre avec exactitude et dans les délais leur impartis.

Les personnes physiques ou morales, appelées à fournir les fichiers administratifs aux services statistiques compétents à des fins d'exploitation statistique, sont tenues de mettre lesdits fichiers à la disposition de ces services dans un délai convenu entre lesdites personnes et le service compétent.

**Article 37 :**
Des organismes professionnels ou interprofessionnels peuvent être agréés par les pouvoirs publics pour servir d'intermédiaire dans l'exécution des enquêtes statistiques. Les organismes enquêteurs agréés adressent au service initiateur de l'enquête, dans les délais fixés par leur contrat de service, les renseignements qu'ils ont recueillis.

**Article 38 :**
A défaut de répondre avec exactitude et dans les délais impartis, le service statistique compétent adresse à la personne physique ou morale défaillante une mise en demeure par lettre recommandée précisant un délai supplémentaire de réponse n'excédant pas sept jours. Passé ce délai, la personne défaillante est passible des peines prévues par la présente loi.

## IGICE CA VI : IVYO ABATANGA INKURU MU MATOHOZA NO MU RUSANSUMA Z'UGUTOROROKANYA IBIHARURO BABWIRIZWA GUFATIRAKO

**Ingingo ya 36 :**
Abantu n'amashirahamwe bagirwako amatohoza canke urusansuma z'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako bategerezwa gutanga inkuru z'ukuri kandi mu biringo bahabwa.

Abantu canke amashirahamwe, bahamagariwe guha ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako bibifitiye ububasha idosiye zikoreshwa mu ntwaro kugira bizikoreshe mu bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, bategerezwa kuzironsa ivyo bisata igihe cose bizikeneye mu kiringo abo bantu n'ayo mashirahamwe bumvikanyeko n'igisata gifise ububasha bw'ukuzitanga.

**Ingingo ya 37 :**
Amashirahamwe akora umwuga kanaka canke amashirahamwe y'imyuga ifise ico ihuriyeko ashobora kwemererwa gukora n'abajejwe intwaro kugira ngo afashe Reta gushira mu ngiro ibikorwa bijanye n'amatohoza y'ibiharuro bifatirwako. Amashirahamwe akora amatohoza yemerewe gukora ashikiriza inkuru yatororokanije ibisata vyasavye amatohoza mu biringo bitomorwa mu masezerano y'ugukora ayo matohoza.

**Ingingo ya 38 :**
Umuntu canke ishirahamwe adatanze ibiharuro vy'ukuri kandi mu biringo bitegekanijwe, igisata kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako kibifitiye ububasha kiramugabisha biciye mw'ikete ritegerezwa gushikirizwa uwo rigenewe na we agatanga icemeza ko yaryakiriye ritomora ikiringo ciyongera ku cari caratanzwe kitarenza imisi indwi. Ico kiringo kirenze, umuntu canke ishirahamwe atubahirije ivyo yasabwe, ahanishwa ibihano bitegekanijwe n'iri bwirizwa.

## CHAPITRES VII : DE LA QUALITE DES STATISTIQUES OFFICIELLES

**Article 39 :**
L'autorité statistique nationale et les services centraux des statistiques ministériels s'attachent à évaluer et améliorer constamment la qualité des statistiques officielles en termes de pertinence, d'exactitude, de fiabilité, d'actualité, de transparence, de clarté, de cohérence et de comparabilité.

**Article 40 :**
Aux fins de garantir la qualité des statistiques officielles, le développement, la production et la diffusion de celles-ci font l'objet de normes communes et de méthodes harmonisées concernant leur portée, les concepts, les définitions, les unités, les nomenclatures, conformément aux principes énoncés dans le recueil y relatif et aux recommandations statistiques adoptées à l'échelle internationale.

L'engagement en faveur de la qualité doit être mis en évidence sous forme de mesures essentielles d'amélioration consignée dans les programmes statistiques.

**Article 41 :**
La gestion de la qualité est fondée sur les normes communes et les méthodes harmonisées de production des statistiques officielles tel que consigné dans le Cadre National d'Assurance Qualité des Données (CNAQD).

**Article 42 :**
Les utilisateurs sont régulièrement consultés sur la qualité des statistiques officielles.

## IGICE CA VII : INGENE IBIHARURO VY'IBITOROROKANYWA BIFATIRWAKO VYEMEWE BIBA BIMEZE

**Ingingo ya 39 :**
Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako n'ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyo mu burongozi bw'ubushikiranganji butandukanye biraja birasuzuma no gutuma ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bimera neza gusumba mu kubigira nkenerwa, ivy'ukuri, ivy'ukwizerwa bihuye n'igihe kigezweho, bikorerwa ku mugaragaro, bitahurika, biroranye kandi bishobora kugereranywa n'ibindi.

**Ingingo ya 40 :**
Mu ntumbero yo kuronka ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe bimeze neza, ukubitunganya, ukubitororokanya n'ukubitangaza vyisunga amategeko rusangi n'ubuhinga buroranishijwe mu vyerekeye akarere bikoreshwako, amajambo nyamukuru akoreshwa, insiguro z'amajambo, ingero zikoreshwa, amazina akoreshwa hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ngenderwako zo mu gitabu c'ivyatororokanijwe kivyerekeye hamwe n'ibisabwa gukurikizwa bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako vyemejwe ku rwego mpuzamakungu.

Ukwiyemeza kuronka ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako bimeze neza bitegerezwa kugaragara nk'ingingo nyamukuru zituma bikorwa neza gusumba nk'uko bitegekanijwe mu migambi yerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako.

**Ingingo ya 41 :**
Ugutunganya ibijanye n'ugusuzuma ko ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako bimeze neza bishingiye ku mategeko rusangi no ku buhinga buroranishijwe n'ibikenewe bw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe nk'uko vyashizwe mu Mugambi w'igihugu w'ugusuzuma ko ibiharuro bitororokanywa bifatirwako bimeze neza.

**Ingingo ya 42 :**
Abakoresha ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe bama babazwa ko ivyo biharuro bimeze neza.

Les producteurs des statistiques officielles sollicitent des observations de la part des fournisseurs des données pour améliorer leur qualité.

Les producteurs des statistiques officielles doivent collaborer avec les milieux scientifiques pour évaluer et améliorer les méthodes statistiques et promouvoir des travaux d'analyse utilisant les statistiques officielles.

Des experts tant internes qu'externes peuvent procéder à des évaluations institutionnelles des processus et des produits du Système Statistique National (SSN).

## CHAPITRE VIII : DE LA COOPERATION INTERNATIONALE

**Article 43 :**

L'autorité statistique nationale et les services centraux de statistiques des ministères agissant dans leurs domaines de compétence respectifs participent aux travaux menés au niveau international et régional pour élaborer et mettre en œuvre des normes et recommandations relatives à la statistique.

L'autorité statistique nationale est le point focal pour toute coopération technique en matière de statistiques officielles ainsi que pour toutes les évaluations effectuées à l'initiative d'organisations internationales concernant la statistique officielle indépendamment du domaine statistique et du producteur.

**Article 44 :**

L'autorité statistique nationale coordonne la transmission de statistiques officielles aux organisations internationales et aux autorités des pays tiers.

Abatororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe barasaba abatanga inkuru z'ibitororokanywa gutanga intererano z'ivyiyumviro kugira habonek̀e ibiharuro bifatirwako bimeze neza gusumba.

Abatororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe bategerezwa gukorana n'abakora mu bisata vyerekeye ubumenyi kugira basuzume bongere batume ubuhinga bw'ugutororokanya ibiharuro bifatirwako butera imbere kuruta no guteza imbere ibikorwa bijanye n'ubuhinga bw'ukwihweza bukoresha ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako vyemewe.

Abahinga, baba abakora mu Rwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu (SSN) canke abakora ahandi, barashobora gusuzuma ingene ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako bikora hamwe n'ivyatororokanijwe n'urwo Rwego.

## IGICE CA VIII : IVYEREKEYE UGUFASHANYA KU RWEGO MPUZAMAKUNGU

**Ingingo ya 43 :**

Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako n'ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyo mu burongozi bw'ubushikiranganji butandukanye bikorera kimwe kimwe cose mu vyo gifitiye ububasha bwo kugira uruhara mu bikorwa birangurwa ku rwego mpuzamakungu no ku rwego rw'akarere Uburundi buherereyemwo vyo gutegura no gushira mu ngiro amategeko yisungwa hamwe n'ivyasabwe gukorwa vyerekeye ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako.

Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako ni co kijejwe gukurikiranira hafi ibijanye n'imigenderanire yose y'ugufashanya mu vy'ubuhinga mu vyerekeye ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe hamwe n'ibikorwa vyerekeye ugusuzuma birangurwa bisabwe n'amashirahamwe mpuzamakungu vyerekeye ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe hatarabwe igisata vyatororokanijwemwo n'uwabitororokanije.

**Ingingo ya 44 :**

Igisata c'igihugu kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako kirakurikiranira hafi ibijanye n'ukurungikira amashirahamwe mpuzamakungu n'abategetsi b'ibindi bihugu ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyemewe.

## CHAPITRE IX : DES DISPOSITIONS PENALES

**Article 45 :**
Les agents relevant des services du Système Statistique National (SSN) qui contreviennent, même après l'exercice de leurs fonctions, aux dispositions prévues au chapitre relatif à la protection des données individuelles s'exposent aux sanctions pour violation du secret professionnel prévues par le code de procédure pénale.

**Article 46 :**
Toute personne ou toute institution qui, sans raison valable, se rend coupable de refus de réponse, de transmission de réponses incomplètes ou délibérément fausses, de non-respect de délais dans le cadre d'enquêtes à caractère obligatoire est punie d'une servitude pénale de quinze jours au maximum et d'une amende de dix mille à deux cent mille francs burundais ou de l'une de ces peines seulement.

L'exécution de la peine ne dispense pas les contrevenants de fournir l'information demandée.

En cas de récidive dans un délai de deux ans, la peine est portée au double.

**Article 47 :**
Tout agent du Système Statistique National (SSN) ou toute autre personne qui fausse délibérément les données statistiques au niveau de la collecte, du traitement, de l'analyse, de la publication ou de la diffusion des données est puni d'une servitude pénale d'un mois à six mois et d'une amende de cent mille à un million de francs burundais ou de l'une de ces peines seulement.

## IGICE CA IX : IBIHANO MPANAVYAHA

**Ingingo ya 45 :**
Abakozi b'ibisata bihurikiye mu Rwego SSN barenze kubitegekanijwe mu gice c'ivyerekeye gukingira ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyerekeye umuntu, n'aho batoba bakirangura amabanga bari bajejwe bahanishwa ibihano bijanye n'ukumena amabanga y'akazi bitegekanijwe n'Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

**Ingingo ya 46 :**
Umuntu wese canke ishirahamwe ryose, ata mvo yumvikana, azokwagira icaha c'ukwanka gutanga inyishu, ic'ugutanga inyishu zidakwiye canke atanze inyishu zitari iz'ukuri abigize nkana, ic'ukutubahiriza ibiringo mu gihe c'amatohoza ategerejwe, ahanishwa umunyororo utarenza imisi icumi n'itanu hamwe n'ihadabu ry'amafaranga y'amarundi riva ku bihumbi icumi gushika ku bihumbi amajana abiri canke igihano kimwe muri ivyo conyene.

Ugukora igihano ntibibuza ko uwarenze amategeko yagiciriwe atanga inkuru asabwa.

Mu gihe uwagiriye icaha asubiye kugikora mu kiringo c'imyaka ibiri, igihano kigwizwa na kabiri.

**Ingingo ya 47 :**
Umukozi wese w'Urwego SSN canke uwundi muntu wese ashize nkana amakosa mu biharuro vy'ibitororkanywa bifatirwako mu gihe c'ukubitororokanya, ukubisesangura, ukuvyihweza, ukubimenyekanisha canke mu gihe c'ukubitangaza ahanishwa umunyororo uva ku kwezi kumwe gushika ku mezi atandatu n'ihadabu ry'amafaranga y'amarundi riva ku bihumbi ijana gushika ku muriyoni canke igihano kimwe muri ivyo conyene.

## CHAPITRE X : DES DISPOSITIONS DIVERSES ET FINALES

**Article 48 :**

Les infractions aux dispositions de la présente loi ou de ses textes d'application sont constatées par les agents de la statistique nationale dotés de la qualité d'officier de police judiciaire en matière statistique.

**Article 49 :**

Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 50 :**

La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 24 juillet 2023,**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Domine BANYANKIMBONA.**

## IGICE CA X : INGINGO ZITANDUKANIYE HAMWE N'IZISOZERA

**Ingingo ya 48 :**

Ivyaha vyerekeye ukurenga ku bitegekanijwe n'iri bwirizwa canke amategeko arishira mu ngiro vyemezwa n'abakozi bajejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako ku rwego rw'igihugu bafise ububasha nk'ubw'inyamiramabi mu vyerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako.

**Ingingo ya 49 :**

Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 50 :**

Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 24 Mukakaro 2023,**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**BANYANKIMBONA Domine.**